Kirundi - Topic 9
Ending a lease and bond claims

Kirundi - Igice ca 9
Guhagarika amasezerano y'inzu no gusaba amahera y'ingwati

Mu gukotesheje inzu, uwukotesha inzu ashira umukono ku masezerano y'inzu y'ikiringo c'amazi 6 canke amezi 12.

Iyo ufashe ingingo yo kwimuka, amasezerano y'inzu yaraheze – utegerezwa kumenyesha mu nyandikoko ishirahamwe rikotesha amazu canke nyene inzu, iminsi 14 imbere y'uko uvamwo.

Ni vyiza ko muri iyo nyandiko haba harimwo itariki wipfuza ko woba wavuye mu nzu.

Ni vyiza ko nawe ugumana aho vyanditse, kandi ukandika ahantu itariki wabirungikiye canke wabibahereye.

Bigenda gute iyo wipfuza kubandaya ukotesha iyo inzu?

Iyo amasezerano y'inzu aheze, urashobora gushira umukono ku yandi masezerano y'inzu mashasha – ariko si itegeko.

Iyo utashize umukono ku masezerano mashasha y'inzu hanyuma ugashaka kwimuka – utegerezwa ku menyesha ishirahamwe rikotesha amazu canke nyene inzu, iminsi 21 imbere y'uko uva mu nzu.

Utegerezwa kuguma uriha inzu kugeza iminsi usabwa kuba wamumenyesheje iheze.

Bigenda gute iyo nimutse amasezerano y'inzu aterahera?

Uba urenze ku masezerano y'inzu.

Utegerezwa guca umunyesha ishirahamwe rikotesha amazu canke nyene inzu mu maguru masha.

Ushobora kubandanya uriha inzu kugeza ishirahamwe rikotesha amazu canke nyene inzu aronse uwundi muntu ayikotesha.

Barashobora no kuguca ayandi mahera kugira ngo barondere umuntu ayikotesha – nk'akarorero amahera yo kuriha inzu, ayo kuyamamaza hamwe n'ayo kuronka uwundi ayikotesha

Iyo mu masezerano y'inzu harimwo 'amahera yo kuriha iyo uhagaritse amasezerano hataragera' muri ico gihe ayo mahera ni yo uca uriha.

Nyene inzu ategerezwa guca arondera umuntu akotesha iyo nzu vyihutirwa.

Rimwe na rimwe urashobora guhagarika amasezerano hakiri kare kandi nturihe amahera n'amwe.

Nk'akarorero:

- iyo uronse inzu ya leta
- iyo wimukiye mu mazu y'abantu bageze muzabukuru
- iyo ufise ico bita Apprehended Violence Order (AVO) (amategeko ajanye no guhahazwa) n'umuntu aba muri iyo nzu.
- Iyo nyene inzu ashaka kuguza inzu kandi akaba atari yarabikumenysheje aho washira umukono ku masezerano y'inzu.

Amasezerano y'inzu arashobora guhagarara umwanya uwo ari wo wose mu gihe nyene inzu n'uwukotesha inzu bavumvikanyeko.

None ndonka gute amahera yanje y'ingwati(bonde)?

Wararishe amahera y'ingwati angana n'amahera y'inzu y'indwi 4 igihe washira ukukono ku masezerano y'inzu.

Baragusubiza amahera yose y'ingwati mu gihe usize inzu uko wayisanze ukiyimukiramwo – kandi atadeni ufitiye nyene inzu.

Inshirahamwe rikotesha amazu canke nyene inzu ararambura inzu ku ncuro ya nyuma uhejeje kuva munzu.

Urupapuro rw'ingene inzu yari imeze bararwifashisha kugira bamenye ivyononekeye hamwe n'ahakenewe gukorwa isuku.

Abakotesha amazu ntibasabwa kuriha ibintu vyononekara mu buryo rusangi, nk'akarorero intebe ishaje canke itapi yo munzu ishaje.

Iyo usize inzu icafuye canke itameze neza – bashobora kutagusubiza amahera y'inzu yose.

Saba ishirahamwe rikotesha amazu canke nyene inzu yuzuze impapuro bita Claim for refund of bond money (gusaba gusubizwa amahera y'ingwati) hanyuma uce urwijanira kuri Fair Trading.

Iyo mudashobora kumwikana n'ishirahamwe rikotesha amazu canke nyene inzu, ni vyiza ko usaba impanuro ku bo bita Tenants Advice and Advocacy Services (TAAS) (abahanuzu n'abafasha ku bijanye n'abakotesha amazu)

Canke urashobora gusaba Tribunal kugira ngo bafate ingingo.

Ukaba ukeneye izindi nsiguro ku burenganzira n'ivyo utegerezwa, reba ku murongo wa interenete wa Fair Trading kuri www.fairtrading.nsw.gov.au canke uhamagare kuri 13 32 20.

Ukaba ukeneye umusiguzi, hamagara kuri 13 14 50.